# IMVO ZINE ZITUMA USHOBORA KUMWENYURA



## Kumwenyura 1: Vyukuri Imana iragukunda

“**Kuk'urukundo Imana yakunze abari mw'isi arirwo rwatumye itanga umwana wayo w'ikinege ng' umwizera wese ntaz'apfe rubi arikw ahabge ubugingo budashira."** *(Yohani 3:16)*

Dufatiye kuvyo wiyumvamwo canke ivyo uriko uracamwo ubushobozi bw'urukundo Imana igukunda ntibuhinduka kandi ntibuzigera buhinduka yatanze umwana wayo w'ikinege kugira ngo atwitangire!

## Kumwenyura 2: Yesu yapfuye kubwawe

Ikigaragaza urukundo rw'ukuri niyo umuntu yiteguye gutanga ubuzima bwiwe kubera mugenziwe. Ntaho tworonka urukundo rutagira akagero nkuru, Amateka yerekana ko Yesu Kristo yabayeho kandi arapfa abambwe kumusaraba. Bibiriya ivuga ko Yesu yabikoze kubwanje no kubwawe.

**"Bose bakoze ivyaha ntibashikira ubwiza bw'Imana."**

*(Abaroma 3:23)*

**"Ingero y'icaha n'urupfu ariko ingabire y'Imana n'ubugingo budashira bubonerwa muri Yesu Kristo Umwami wacu."**

*(Abaroma 6:23)*

**"Ariko Imana yatweretse urukundo rwayo idukunda, kuko Kristo yadupfiriye tukiri abanyavyaha."** *(Abaroma 5:8)*

**"Yatangiwe ibicumuro vyacu, akazurwa kugira ngo dutsindanishirizwe."** *(Abaroma 4:25)*

## Kumwenyura 3: Imana igufitiye umugambi mwiza kubugingo bwawe

**"Kuko nzi ivyiyumviro mbiyumvirako, ni jewe Uhoraho mbivuze kw ar 'ivyiyumviro vy'amahoro atari ivy'ivyago kugira ngo mbahe ivyizigiro vyo mw'iherezo ryanyu."** *(Yeremiya 29:11)*

Inyuma y'igikorwa cose hariho umuremyi. Mu gikorwa cose harimwo intumbero yatumye kiremwa. Uri uwudasanzwe ku Mana kandi vy'ukuri irafise intumbero k'ubuzima bwawe. Intumbero ya mbere y'Imana kuri wewe n'ukumenya urukundo rwayo. Ibindi vyose bija mu kibanza cayo uko wizigira urukundo rwayo.

## Kumwenyura 4: Uyu musi n'umusi wawe

**"... Ehe none n'umusi wo gukirizwako."** *(2 Abakorinto 6:2)*

**"Uyo (Yesu), Imana iramuzura ku musi ugira gatatu, imuha guserurwa ahibonekeza."** *(Ivyakozwe 10:40)*

**"Kuko niwaturisha akanwa yuko Yesu ar'Umwami, ukizera mu mutima yukw'Imana yamuzuye imukuye mu bapfuye, uzokizwa."** *(Abaroma 10:9)*

Impwemu uhema n'ingabire wahawe ku buntu bw'Imana yakuremye mw'ishusho yayo kandi iragukunda cane. Ibuka nta sezerano rya kazoza wari ufise ariko uronse akaryo ko kwihana ivyaha ubu nyene no kwakira ingabire Imana itanga tubonera muri Yesu Kristo. Umusaraba nticabaye ikimenyetso c'intege nke canke ivyiyumviro vyama dini ariko watubereye ubushobozi bw'Imana bwo kutweza ivyaha vyacu bivanye no kubana mumahoro n'Imana yacu.

# Nturindire, Senga Ubu!

## Sengana nanje iri sengesho

Data wa twese wo mw'ijuru mw'izina rya Yesu Kristo, harira ivyaha vyanje, ndizeye ko Yesu ar'umwana wawe. Yarabayeho arapfa kandi uramuzura mu bapfuye ubu ni muzima vyose wabikoze Kubw'urukundo unkunda.

Mwami Yesu, kaze mu mutima wanje ube umwami w'ubugingo bwanje. Mpa ubushizi bwamanga mu gakiza kanje ndonkera muri mpwemu Yera unyuzuze mu mutima wanje kuko nagizwe umwana w'Imana isumba vyose, mbisenze mw'izina rya Yesu Kristo, Amen.

## Isengesho ryanje kuri wewe

Mana Data, mw'izina rya Yesu Kristo, ndarekuye amavuta ya mpwemu Yera kugira ngo atwikire uyu mwene data ncagaguye imigozi yose imuboshe yo kuzazanirwa no kutizera.

Ndasabako ingabo z'abamarayika zimukikuze ku bwawe, zimurinde zinamufashe. Data bandanya kumuhishurira ukuri kwawe N'urukundo rwawe. Kiza umubiri wiwe kandi umukize ivyiyumviro bibi vyo mumutima wiwe. Mw'izina rya Yesu Kristo, Amen.

## If you wish to contact us:

*streetevangelistsuk@gmail.com*

*www.streetevangelistsint.com*

*Street Evangelists Int*

www.foursmiles.com

©2019 FourSmiles Productions. Used by permission.